Igihe umuntu aba ari hafi cane y'Imana yiwe Rurema Allah, ni igihe yubamye. Enda rero nyabuna, rushirizaho rero gusaba kenshi mu gihe mwubamye

Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire), yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Igihe umuntu aba ari hafi cane y'Imana yiwe Rurema Allah, ni igihe yubamye. Enda rero nyabuna, rushirizaho rero gusaba kenshi mu gihe mwubamye".

[صحيح] [رواه مسلم]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yaratomoye ko igihe umuntu aba ari hafi cane y'Imana yiwe Rurema Allah, ari igihe yubamye. Ivyo biri ukwo, kubera ko uwuriko arasenga ashira hasi igihimba ciwe cubashwe gusumba ibindi bihimba vy'umubiri wiwe (umutwe), maze akubama mu kwerekana ko yicishije bugufi kandi agayitse mu kuba ari umunyentegenke cane ku Mana Allah Nyenintsinzi na Nyenicubahiro. Ni kuri iyo mvo rero, Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yategetse ko umuntu yorushirizaho gusaba kenshi mu gihe yubamye, gutyo agahuriza hamwe mu majambo no mu bikorwa ukwerekana intege nke afise.

http://sunnah.global/hadeeth/rn/show/5382